# Ivyegeranyo vyanditswe vy’abanyeshule biga Icongereza nk’urundi rurimi canke urundi bishaka gusa

## Inkuru ku bavyeyi n’ abarezi b’ abana

Bavyeyi namwe barezi b’ abana

Ishule umwana wanyu yigako rirabarungikira ivyegeranyo vyanditse buri mwaka. Ibi vyegeranyo bizobafasha gutahura intambwe umwana wanyu atera hamwe n’ingene ishule rimufasha kwiga. Iki cegeranyo kizobereka intambwe umwana wanyu yateye mu vyigwa vyose.

### Ivyegeranyo ku banyeshule bavuga Icongereza nk’urundi rurimi canke urwo bishaka gusa (English as an additional language or dialect (EAL/D))

Hamwe umwana wanyu yoba yiga Icongereza nk’urundi rurimi canke urwo bishaka gusa, icegeranyo kizokwerekana intambwe umwana yateye mu kwiga ururimi rw’Icongereza hamwe n’intambwe yateye mu kumenya ururimi rw’ Icongereza. Intambwe zigizwe n’intango, kumenya bibayabaye, kwisununura hamwe no gutsimbataza. Musabwe kuraba ku rupapuro rukurikira insiguro z’ibi bice.

### Ivyegeranyo vy’abanyeshule bakurikira inyigisho za EAL/D

Hamwe umwana wanyu yoba ari mu inyigisho za EAL/D azoronswa icegeranyo canditse ciyongeyeko gitanzwe n’umwigisha wa EAL/D harimwo n’inkuru zerekeye intambwe yashitseko mu rurimi rw’Icongereza.

### Ivyegeranyo vy’abanyeshule bashasha ba EAL/D

Hamwe umwana wanyu yoba akurikirana inyigisho za EAL/D akaba amaze ibice bine vy’umwaka w’ishule canke biri musi yiga kw’ishule, icegeranyo c’umwana wanyu kizoba canditsemwo intambwe mu kwiga Icongereza hamwe n’intambwe yagize mu bindi vyirwa akurikira, bizokwandikwa nk’ivyihwezwa, ntazoba ari amanota.

### Ivyegeranyo vy’abanyeshule bashasha ba EAL/D bakurikirana inyigisho zo mu Bigo Vyahariwe Icongereza canke Amashule Yisumbuye Yahariwe Icongereza

Hamwe umwana wanyu yoba yanditswe mu Kigo Cahariwe Icongereza canke Ishure Ryisumbuye Ryahariwe Icongereza, muzoronka icegeranyo c’intamwe yagize mu kwiga Icongereza. Icegeranyo kizokwerekana kandi intambwe yagizwe mu bindi vyirwa vyose mu kwitegurira ishule ryisumbuye.

| Ibice Vyerekeye Kumenya Icongereza | |
|---|---|
| **Intango** | Abanyeshule bari mu gice c'intango baba batanguye kwiga Icongereza. Bashobora kuvuga ururimi rumwe canke n'izindi atari Icongereza kandi bashobora kuba bakwije imyaka ibereye yo kwandika no gusoma mu rurimi rwabo kavukire. Aba banyeshule baba batanguye gukora imyimenyerezo yoroshe y'ururimi itunganijwe n'ivyirwa. |
| **Kumenya Bibayabaye** | Abanyeshule bageze ku gice co kumenya bibayabaye baba bafise ubumenyi bwiyongera mu Congereza. Aba banyeshule bashobora kuvuga ururimi rumwe canke izindi harimwo Icongereza c'intango, kandi baba bafise ubumenyi bwiyongera mu kwandika Icongereza. Aba banyeshule bashobora gukora imyimenyerezo hamwe n'abandi mw'ishule bakongera bakemera kwiga hamwe mu gihe bigishijwe neza ururimi bakaronswa n'umwanya uhagije kugira baheraheze imyimenyerezo mw'ishule. |
| **Kwisununura** | Abanyeshule bashitse ku gice co kwisununura bashobora kuvuga ururimi rumwe canke nyinshi, harimwo Icongereza co kuvuga kibayabaye, bakaba kandi bafise ubumenyi bw'Icongereza canditswe. Aba banyeshule bakaba bifatanya n'abandi mu mirimo ya misi yose y'ishule, bakaba kandi bashobora kwishinga gukora imyimenyerezo y'ubumenyi ku rugero rwiyongera mu gushimisha. Ururimi kavukire rwabo rubandanya rubabera ngirakamaro mu gihe bariko bungura ubumenyi mu ndimburo y'Icongereza hamwe no kungura amajambo. |
| **Gutsimbataza** | Abanyeshule bageze ku gice co gutsimbataza, bashobora kuvuga ururimi rumwe canke nyinshi, harimwo Icongereza bakaba kandi bafise ubumenyi buhanitse mu Congereza canditswe. Aba banyeshule barigenga mu mirimo ya misi yose mu kirasi canke kw'ishule, bakaba kandi bafise ububasha buhanitse bwo gukoresha Icongereza mu kwishinga kwiga ibintu bishasha kenshi ata ntambamyi. Baratahura kandi bagashikiriza inzandiko mu kuvuga canke kwandika bijanye n'intumbero zitandukanye ariko bakaba bagikeneye imfashanyo y'umwihariko n'imigambi bijanye n'indimi, bifasha abiga muri EAL/D, mu gihe hakenerwa kongereza ubuhinga bw'ururimi mu bijanye n'ibisata vy'ivyirwa. |

## Igisata c'Abasiguzi kuri Telefone

Niwaba ukeneye izindi nsiguro urasabwe guhamagara ishule. Niwaba ukeneye umusiguzi agufasha guhamagara ishule, usabwe guhamagara Igisata c'Abasiguzi kuri Telefone (TIS) kuri 131 450 usabe umusiguzi mu rurimi rwawe. Umusiguzi azohamagara ishule kandi azoguma ku murongo kugira afashe mu kiganiro cawe. Ntaco bazokwaka kubera ico gikorwa.